# UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI ''ITEKA''

*Ryemejwe n'itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991*

## *ICEGERANYO C'UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI KIRINGO CA NZERO –RUHUHUMA 2026*







*Uwo uri wese ubahirizwa*

***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 22 Ruhuhuma 2026, abantu bashika 859 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n'imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi775ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Ishirahamwe Iteka :**

- **« Ni umunywani w'ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n'ibisata 32 ».**

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54


RWANDA
BUJUMBURA
BUTANYERERA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
TANGANYIKA
DRC
BURUNGA
TANZANIA
N
E
S
W

# URUTONDE RW'IBIRIMWO

*I. INCAMAKE KU VYABAYE* ____ 3

*III. INTUMBERO Y'ICEGERANYO* ____ 6

*IV. UBUHINGA BUKORESHWA* ____ 6

*V. INYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI: Nzero-Ruhuhuma 2026* ____ 7

*V.1._UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE* ____ 7

*V.1.1._UBURENGANZIRA KU BUZIMA* ____ 7

*V .1.1.1.UBWICANYI BUTEGUYE* ____ 7

*V. 1.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO* ____ 9

*V.1.2.UBURENGANZIRA BW' UKWITANAHO* ____ 11

*V.1.2.1.AMABI YO KUBOREZA IGUFA , UGUPFUNGA CANKE UGUFATA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA* ____ 11

*V.1. 2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU* ____ 12

*V.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO* ____ 14

*V.1.3.1. UGUHAGARIKA HAMWE NO GUPFUNGA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO* ____ 14

*V.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA* ____ 14

*VI. UGUSOZERA* ____ 16

# *IMPFUNYAPFUNYO*

***AGNU*** *: Ikoraniro kaminuza ry'ibihugu vyunze ubumwe*

***CNDD-FDD*** *: nama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunani rukingira intwaro rusangi*

***CNL*** *: Ihuriro ry'igihugu riharanira ukwidegemvya*

***DESC*** *: Uburenganzira ku burunzi, imibano hamwe n'imuco kama*

***EAC*** *: Ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko*

***ECOFO*** *: Ishure shingiro*

***EU*** *: Ubumwe bwa burayi*

***FDLR*** *: Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda*

***FRODEBU*** *: Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi*

***M23/AFC*** *: Urunani ruhurikiyemwo abari kunyanja Kongo/umuhari wo kuwa 23 Ntwarante (urunani rw'inyeshamba zo muri Kongo)*

***OPJ*** *: Inyamiramabi*

***PNB*** *: Igipolisi c'igihugu c'u Burundi*

***RDC*** *: Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo*

***SNR*** *: Igendereza ry'igihugu*

***TGI*** *: Sentare nkuru y'igihugu*

***UA*** *: Ubumwe bwa Afirika*

***UPRONA*** *: Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu*

***VBGs*** *: Amabi afatiye ku gitsina*

# I. RESUME EXECUTIF

Hagati ya Nzero na Ruhuhuma 2026, uBurundi bwaraciye mu bihe vy'ingorane,vyaranzwe n'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu rikomeye ryegekwa ku bakozi ba Leta canke ababegereye hamwe n'abandi bantu,ataguhanwa. Naho amashirahamwe yigenga yagerageje gushira ahabona ayo mabi,Leta yameze nk'iyitumva akamo k'ubutungane hamwe n'amatohoza yimbitse.Umuhari Iteka,ubikwirikiraniye hagufi,watororokanije abantu 69 bishwe,muribo harimwo abagabo 51,abagore 18 n'abana 15.Intara ya Gitega yarakozweko cane,ku bantu 28 bishwe,igakurikirwa na Bujumbura kubantu 16,Burunga kuri 11,hanyuma Butanyerera na Buhumuza , zabonetse mwo abishwe 7kuri imwe imwe.

Muri uwo mwanya nyene,abanyurujwe n'ababuzwe irengero mu Burundi barateye amakenga akomeye,abantu 9 baraharuwe mu kiringo c'amezi 2 ya kino cegeranyo.Intahe nyinshi zigana aho abantu bazwi nk'abatavuga rumwe na Leta canke bafatwa nk'abikekwa baranyurujwe n'abajejwe umutekano canke imigwi y'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi. Uko kuburwa irengero,kenshi mu buryo budatahuritse,bishikana imiryango yabo mu mwiheburo mwinshi wo kutabona ababo.Kuri uyu musi,ku banyurujwe 9, Bujumbura yaharuye abantu 5 banyurujwe,igakurikirwa na Burunga ku bantu 3.

Iruhande,amezi ya Nzero na Ruhuhuma 2026 yabayemwo ukuborezwa igufa aho umuhari Iteka waharuye abantu 6, mu ntara ya Gitega 2 ,Buhumuza3,na Bujumbura 1.Imbonerakure ziravugwa kenshi ko arizo ahanini zagirizwa ayo mabi aho zanyuruje 5 hanyuma umwe akanyuruzwa n'abapolisi.


Muri kino kiringo cihwejwe na kino cegeranyo,umuhari Iteka watohoje abantu 25 bakorewe amabi afatiye ku gitsinaharimwo umugabo 1 n'abagore 24.Twomenyesha ko muri abo bakorewe ayo mabi,19 bafashwe ku nguvu harimwo abana 17 bafise imyaka iri musi ya 18.Intara ya Burunga yaharuye igitigiri kinini c'abakorewe ihohoterwa rifatiye ku gitsina,igakurikirwa na Gitega ku bantu 8,Bujumbura yaharuwemwo abantu 6,Butanyerera abantu 2,Imbonerakure hamwe n'abatware n'abapolisi n'iyindi mirwi y'abantu,nibo kenshi badomwako urutoke nk'abikekwako ayo mabi y'ihohoterwa rifatiye ku gitsina.

Mu gusozera,umuhari Iteka waranashikirije abantu 5 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko i Bujumbura.

***Ikigara kivyerekana :***

Ku mabi 99 yaharuwe muri kino kiringo twafatiyeko, abantu **114** barakozweko n'amabi.

***Igicapo ca 1 : Igicapo cerekana amabi yakozwe n'aho yakorewe***




## I. INCAMAKE Y'UKO YAKOZWE (Ibikurikira ivyo ku rupapuro 5)

Imbonerakure, hamwe na bamwe mu bapolisi,abatware hamwe n'abakozi b'igendereza, nibo kenshi bavugwa nk'abikekwako menshi muri ayo mabi hamwe n'ubwicanyi.

Umuhari Iteka uranashikiriza muri kino cegeranyo amabi yakozwe n'abantu batamenyekanye harimwo ivyaha vyinshi nk'ihohoterwa rifatiye ku gitsina hamwe n'ibiziga vyatowe mu mihingo itandukanye

### Igicapo 2 : Ikigara cerekana abakoze amabi hamwe n'aho bayakoreye :




Kuri yose amabi 99 niyo yakozwe ku bantu 114 (ikigara kiri gejuru),incuro 3 hagirizwa abasirikare,incuro 5 abapolisi,incuro 20 Imbonerakure,incuro41 umugwi w'abantu batamenyekanye hamwe n'umugwi w'abandi harimwo « ukwihorahorana,ubwicanyi bukorerwa abana,abantu batandukanye ku ncuro 25 hamwe n'incuro 2 ku batware ».

Muri kino kiringo c'icegeranyo,uBurundi bwaragize ingorane kuvyerekeye uburenganzira bw'imibano n'ubutunzi vyahungabanijwe muri Nzero na Ruhuhuma 2026 n'ibintu vyinshi.

Muri Nzero,harabonetse iyugara ry'umupaka wa Gatumba,bivuye kw'ifatwa rya UVIRA n'umugwi w'inyeshamba,vyatumye ibicuro biduga,nk'akarorero ikiguzi c'igitenge cavuye ku mahera 90 000fbu kirenza 200 000fbu.Abadandaza basabako Leta yogira ico ikoze kugira ishigikire imiryango yabo.

Naho habaye isekeza ryo gutabira imirima y'icayi ,ryatanguye kuwa 23 Kigarama 2025,ingorana ry'itangwa ryaribonekeje,ifumbire babonye ko itabereye ntiyatanzwe.Abarimyi b'icayi,barajwe ishinga n'akanonovera k'ifumbire,bavuga ko bashobora guheba igiterwa c'icayi kugira biteho ibiterwa mbumbarugo vyunguka.Muri Ruhuhuma,itangwa ry'ifumbire FOMI ryarahagaritswe i Bururi kuwa 11 Ruhuhuma,kubera imyidogo y'abarimyi banegura ingene itangwa,babona ko harimwo akarenganyo.Abarongozi baho,kubera amategeko atubahirijwe,barahagaritse itangwa,ubwambere ryari rgenewe abari baheraniwe.Abarimyi,bashavuye,bateguye akaguma ,hanyuma itangwa ryigizwa imbere,vyunyuwe n'uko ata bubiko,hari itoni 30 zonyene za FOMI.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *II. IBISABWA*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya ryibonekeza mu mihingo itandukanye y'igihugu.Iki cegeranyo gishira ahabona amabi ajanye no guhonyanga uburenganzira bwo kubaho,bwo kubahana ,hamwe n'ubwo kwidegemvya;uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.

Umuhari Iteka urarajwe ishinga n' ukudahana amabi yibonekeza ukongera ugasaba ibikurikira:

**Kuri Leta y'u Burundi :**

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu, cane cane uburenganzira ku buzima,ukwitwararikana muri vyose hamwe n'umwidegemvyo.

2. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze.

3. Kuronsa ubufasha bw'ibanze,harimwo amazi,ubuvuzi,indero hamwe n'ubutungane ku banyagihugu bose.

4. Gutohoza no guhana bimwe biboneka amabi akorerwa abana bato vyabaye akayoberabahinga mu Burundi abatware barorera.

5. 5. Gufata ingingo zihuta kandi zibereye zo kurwanya ikiza ca korera kiriko kirarandagata mu mihingo itandukanye y'igihugu cane cane itara nini ya Bujumbura.

**Kubafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'uBurundi harimwo NU,UE hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi :**

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingira agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.

**Ku mashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu :**

1. Gukwirikiranira hagufi agateka ka zina muntu mu Burundi yongere aharanire ugukingira uburenganzira shingiro.

2. Gushira imbere ugukorera hamwe kugira bigende neza mu bufasha bwabo butandukanye;gushigikira abakorewe amabi y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe n'ukubafasha gushikira ubutungane.

3. Gushigikira bimwe biboneka abo agateka kabo kahonyanzwe hamwe no kubafasha gushikira ubutungane.

## *III. Intumbero y'icegeranyo*

Umuhari Iteka usohoye ico cegeranyo c'amezi abiri ku ngorane z'imibano –politike;ubutunzi hamwe n'agateka ka zina muntu mu Burundi kumvo zikurikira :

1. Koreka abandi vyega bakwirikirane iterambere ry'ibintu hamwe n'iry'agateka ka zina muntu mu Burundi mu kiringo kanaka,mu kumenya intumbero,intambamyi hamwe n'impinduka zahabaye;
2. Gutanga umuco ku bafata ingingo muri politike,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu hamwe n'amakungu mu gufata ingingo hamwe no mu bikorwa biraba uBurundi ;
3. Guhimiriza abanyagihugu hamwe n'amakungu ku bibazo bihanze agateka ka zina muntu n'umutekano mu Burundi,hamwe no guharanira impinduka canke ibikorwa bijanye.

## *IV. UBUHINGA BWAKORESHEJWE*

Umuhari Iteka wama ushikiriza ivyegeranyo vyo kundwi vyitwa Iteka n'Ijambo,hamwe n'ivyegeranyo vyo ku kwezi, vyo ku bice bibiri,vyo ku gice ,vyo kumwaka,vyo ku bisata n'ibitigiri bijanye n'inyifato y'agateka ka zina muntu hamwe n'umutekano.Ivyo vyandiko bihabwa abo vyega batandukanye,cane cane Leta y'uBurundi n'inzego zayo zitandukanye.

Ico cegeranyo cavuye mu mwihwezo w'urutavanako wakozwe n'abakorerabushake hamwe n'indorerezi z'umuhari Iteka ,bakora kw'izina ry'umuhari Iteka mu nani 17 zo mu ntara hamwe n'ibisata 32.Abanywanyi b'uwo muhari barongowe n'akaranga mutima hamwe n'ubufasha,mukwiyemeza gukinga ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu mu kubandanya baraba bongera batohoza amabi hamwe n'ihonyangwa rikorwa n'ubutegetsi ku banyagihugu babwo.

Ubuhinga bw'ubushakashatsi bwakoreshwa mu kwihweza uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi ku ntwaro ya Ndayishimiye Evariste buhagaze ku buryo bwinshi bwunganiranira kandi bukomeye.Uburyo bw'ukubaza bwarashizwe imbere,bugizwe n'ugutororokanya amaku n'ibiganiro hamwe n'abo vyega ahanini,nk'abaharanira agateka ka zina muntu,abanywanyi b'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike n'abaserukira intwaro.Ubwo buhinga bufasha gutororokanya ivyiyumviro bitandukanye ku nyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi,gutyo bikerekana intambamyi zitandukanye zahabaye hamwe n'intambwe yahabaye kuva Ndayishimiye ashika ku butegetsi mu 2020.

Vyongeye,twarakoranye ibiganiro n'abo agateka kabo kahonyanzwe kugira turonke intahe itomoye,mukuryohora gutyo umwihwezo mu kumenya abakorewe amabi n'ibitigiri vyabo.

Ariko rero,kibicishije mu cegeranyo co kundwi Iteka n'ijambo,ico cegeranyo gishira hamwe ibiharuro vy'amezi abiri Nzero na Ruhuhuma 2026.Ibitigiri vy'ishirahamwe ririmwo vyose vyarafashije ku bigara hamwe n'uburorero buvyerekana.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## *V.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*


*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### *V.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

#### *V.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE*

Mu kiringo ca Nzero-Ruhuhuma 2026,umuhari Iteha waharuye abantu 69 bishwe mu gihugu cose bagizwe n'abagabo 51 hamwe n'abagore 18.Nk'uko igicapo gikurikira kivyerekana,intara ya Gitega yarakozweko cane ku bantu bishwe bashika 28,na Bujumbura abantu 16,Burunga ubwa gatatu ku bantu 11 bishwe,hagahereza Butanyerera na Buhumuza ku bantu 7 kuri imwe imwe.Twomenyesha ko mu bishwe harimwo abana 15 n'abakuze 54.

***Igicapo 3 : Ikigara cerekana abantu bishwe mu kiringo ca Nzero-Ruhuhuma 2026***




Uwo uri wese ubahirizwa

### *V.1.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 9)*

***Uburorero buvyerekana :***

***Abantu bishwe n'abapolisi :***

***Ak1 :*** Kuwa 17 Nzero 2026, hafi igihe c'isaha 5 z'ijoro,umusirikare yararashe umunyagihugu ,aca arahwera,ku mutumba Gakungwe, muri zone Ramba, komine Mugere, intara Bujumbura.Uwo musirikare yakorera aho acunga DIFO,kiri kuri uwo mutumba,ku nkengera y'ibarabara ry'igihugu RN3,Kuri iyo saha,umunyagihugu wo ku mutumba Ramba,yitwa Eric,yatshe n'amaguru yanyoye akarahuri mu Ruziba.Ashitse ahantu uwo ajejwe umutekano yari ari,yaramuhagaritse.Ugushamirana vyarakwirikiye,mugihe abo uko ari 2 bari baborewe.Ni muri ico gihe uwo yaciye arasa Eric,yapfuye kubera ibikomere.Amaziko y'umuhisi y'umuhisi yategekanijwe kuwa 19 Nzero 2026.Umuryango w'umuhisi usaba ko uwo yabahekuye yomenyekana,ko yojanwa kwishura ivyo yakoze mu butungane,kandi ko yohanwa hakwirikijwe itegeko ngenderwako.

***Uturorero ku bishwe n' Imbonerakure:***

***Ak2 :***Mw'ijoro ryo kuwa gatanu igenekerezo rya 23 Nzero 2026,umugwi w'Imbonerakure waragize igitero bakoresheje igisasu ntezwantoke k'umuryango wa Ntadugira Isaac na Macumi Anne Marie hamwe n'abana babo bava ku mutumba Bihogo, zone Gasorwe ya komine Muyinga.

Kubw'amakuru twaronkeye aho nyene,barakomeretse cane kandi umwe mu bana babo yaraciwe ukuguru.Abandi baciye banyarukanwa ku bitaro bikuru vy'i Rusimbuko ariko inyuma yaho baciye barungikwa vyihuta i Ngozi aho nyina w'abana Anne Marie yahavuye acikana. Abandi baracariko baravurwa.

Amasoko yacu avugako babiri bo muri izo mbonerakure, Harongintore Salathiel na Ndaruzaniye bose bagirizwa ayo mabi barahagaritswe, bari mw'ibohero rya Zone Gasorwe kandi baremera ikosa mugihe uwundi umwe yitwa Arnaud Toto yashoboye guhunga.

Birakenewe ko tubamenyesha ko amasoko amwe amwe avugako uyo muryango woba wagirizwa n'abadandaza babiri b'ababanyi ko woba uroga.Abo badanzaza,barabuze nyina wabo vuba kandi bavugako uwo umuryango woba ariwo wamwishe.Bamwe, bavugeko ko izo Mbonerakure zoba ziri inyuma y'urwo rupfu ,Abandi bakanemeza ko izo mbonerakure zoba zarahembwe n'abo badandaza2 kugira bakore ikibi nk'ico kigayitse.

***Uburorero bw'abantu bishwe n'abantu batamenyekanye :***

***Ak3** :* Mu gitondo co kuwa 15 Ruhuhuma 2026, ikiziga c'umgore caratowe ku mutumba Rubanga,mu murima w'umuceri.Umuhisi azwi kw'izina rya NDAYISENGA Godeberthe, afise imyaka 50, ava ku mutumba Nyabigozi, wo mw'iyo zone nyene. Uwo mugore, yari yabuzwe irengero ku wa kane igenekerezo rya 12 Ruhuhuma 2026, kubw'abamwegereye, igihe yava muhira, yarafise ibimenyetso vy'uburwayi bwo mu mutwe.

Ikiziga ciwe catowe ku wa mungu mu gito n'abarengana bagiye mu misa. Kubw'ivyabona vyaho,ikiziga ciwe catowe kitambaye kandi hariho ibimenyetso ku mubiri wiwe ko yoba yarashurashujwe imbere yo kwicwa.

Mu maso yiwe,hariyo ikimenyetso cerekana ko koyoba yishwe hakoreshejwe icuma.

Abanyagihugu bo kuri uyo mutumba bari mu bwoba butagira ukwo bungana kubera kuri uyo mutumba nyene mu kiringo kidashika amezi atandatu,bari bamaze kuhatora ibiziga 3. Gushika ubu abanyagihugu baribaza imvo hamwe nabakora ayo mabi. Ikiziga c'uwo muhisi caciye gihambwa uwo munsi wa mungu nyene n'umuryango wiwe bafashanije n'intwaro muri komine.


### *V. 1.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,ukunyuruzwa hamwe no kuburwa irengero mu Burundi vyerekanye ingorane zikomeye ziri mu gisata c'umutekano hamwe na politike vy'igihugu.

Amabi menshi yatohojwe yereka aho abantu,bazwi nk'abatavuga rumwe canke bikekwa,baranyurujwe n'abajejwe umutekano canke abo bakorana "Urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi". Abo bakorewe amabi kenshi banyurunnzwa kandi bakaburwa irengero ahantu hatazwi,bagasiga imiyango yabo mu makenga menshi kuvyabashikiye canke aho boba bapfungiwe.

Muri aya mezi abiri y'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuye abantu 9 banyurujwe mu gihugu cose harimwo abagabo 6 n'abagore 3. Intara zakozwe ko ni Bujumbura haharuwe abantu benshi bashika 5, Burunga haharuwe 3, Buhumuza haharuwe umuntu 1.

***Igicapo 4 : Ikigara cerekana abantu banyurujwe mu kiringo ca Nzero-Ruhuhuma2026***




***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1 :*** *Umunyagihugu azwi kw'izina rya GAHUNGU Thadée yarabuzwe irengero kuva kuwa 16/01/2026. Uwo munyagihugu ni uwahoze ari umusirikare mu gisirikare ca kera(EX-FAB).Yaba muri zone Musaga, komine Mugere kandi yakorera ishirahamwe Garda World Security, ricunga umutekano w'abanu n'ibintu,riri iruhande y'aho bita Jardin Public, muri komine Mukaza, intara ya Bujumbura.*

*Kuri uwo musi,yarahejeje akazi kiwe aca arasubira muhira,ariko ntiyigeze ashika.Umuryango wiwe hamwe n'abo basangiye akazi bafise amakenga menshi ku mutekano wiwe.*

***Ex2:*** *Kuva kuwa 25 Ruhuhuma 2026, kw'ibarabara Muyinga,muri zone Rohero, muri komine Mukaza, mu ntara ya Bujumbura impande y'ibiro vya CNIDH, Chadia Mukaremera, ajejwe kugira isuku mu murwi w'igihugu wigega (CNIDH), aba murirésidant muri karatiye Nyakabiga I, kw'ibarabara rya 13,muri komine Mukaza, mu ntara ya Bujumbura yarabuzwe irengero.*

*Kubwa Musenyeri Martin Blaise Nyaboho arongoye CNIDH chadia yaravuganye n'uwo bakorana kuri terefone imbere y'uko aburwa irengero.*

*Umuryango wiwe hamwe n'abo bakorana bararondeye ahantu henshi,ariko ntibamutora.Bashikiriza ko bafise amakenga menshi ku mutekano wiwe kandi basaba amatohoza yigenga kw'ibura ryiwe.Umukuru waCNIDH nawe nyene amenyeshako ata makuru yiwe afise kuko terefone yiwe,kuva uyo munsi,irazimije kandi igiporisi kivuga ko amatohoza ariko arakorwa kugira batore uwo mukozi wa CNIDH.*

### *V. 1.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO (Ibikurikira urupapuro 11)*

*Umuhari Iteka warondeye kumenya uwamuterefonye ico gitondo,ko ryari irya mbere canke ko bahora bavugana, kandi warabandanije urondera kumenya nimba uwo yabuzwe irengero yarafitaniye ingorane n'abo bakorana ku kazi. Amakuru twaronse amenyeshako yari umugore w'imico myiza ku kazi,iyo asivye vyaraboneka,arico gituma iminsi yose mu gitondo abo bakorana bama bamuterefona kugira bamwunguruze.*

*Uwo munsi ni umupfasoni BAKAMIRIZA Chantal, umunyamabanga mukuru yari yamuhamagaye,yabikora kenshi nk'abandi bakorana ku kazi. Terefone z'uwo yabuzwe irengero,babonyeko yoba yakoreye ubwanyuma mu karere ka nyabugete kandi igitangaje,Igendereza ry'igihugu ryari ryamaze gufata ingongo yo kuja gusaka mu Nyabugete,ariko mu nyuma,baciye babiheba. Umuhari Iteka,ufise amakenga,kucatumye babihindura.*


### *V.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA*

Ibwirizwa shingiro ry'u Burundi mu ngingo yaryo ya 21 ritomora ko "Nta numwe yoborezwa igufa haba gupfungwa canke canke gufatwa bunyamaswa,ugufatwa mpiri canke guturubikwa". Kuri ivyo hiyongerako itegeko n°1/04 ryo kuwa 27 Ruheshi 2016 rikingira aba abahohoterwa kandi riritegekanya ingingo zo gukingira agateka ku mutima no kumubiri.Ivyo bikerekana neza ukwiyemeza kw'igihugu gukingira abanyagihugu baco.

### *V.1.2.1. UKUBOREZWA IGUFA, UGUPFUNGWA, UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA*

Ukuboreza igufa mu Burundi mu kwezi kwa Nzero na Ruhuhuma 2026 haharuwe abantu 6 harimwo 3 bo ntara ya Buhumuza, 2 bo mu ntara ya Gitega, hamwe n'umuntu 1 i Bujumbura. Kuri abo bantu 6baharuwe n'umuhari Iteka, abantu5 bahohotewe n'urwaruka rw' Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi hamwe n'uwundi umwe yakubaguwe b'abakozi b'igiporisi.

***Igicapo 5 : Ikigara cerekana abantu baborejwe igufa mu kiringo ca Nzero-Ruhuhuma 2026***



### *V.1.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA(Ibikurikira ivyo ku rupapuro12)*

### *Ivyatohojwe:*

***Ak1 :*** *Kuwa 07 Nzero 2026, muri karatiye Jabe, zone Bwiza, komine Mukaza intara ya Bujumbura, Gaston Ntukamazina, yarakubiswe n'umugwi w'abasuma bamuteye mugihe yari atashe muhira.Abo basuma bamenyekanye nk'Imbonerakure muri iyo zone barakomerekeje bongera bonona ijisho ry'i buryo rya Gaston Ntukamazina.*

*Kubwo ivyabona vyaho,uwitwa Bob w'umukuru w'akagwi k'abasuma bo muri iyo karatiye hamwe n'uwitwa Kevin baramenyekanye mubakubaguye uwo munyagihugu.Uwo mugwi w'abasuma ubangamiye abanyagihugu bo muri karatiye Jabe ushigikiwe n'uwutwara iyo karatiye,azwi kw'izina rya Jean Claude BIZIMANA yugarijwe n'imanza zimukwirikirana.Abo baba kw'iJabe basa ibogozwa rya Jean Claude BIZIMANA umukuru wa karatiye azwi ko yadohotse kwibanga kandi akoresha igikenye mu gutoteza abo atwara.*

***Ak2 :*** *Kuwa gatatu,igenekerezo rya 4 Ruhuhuma 2026,ku gacimbiri Nyamugari,umutumba Rusagara,zone Kigamba,mu ntara ya Buhumuza,uwitwa MAJAMBERE Fidele yaraguye mu mutego w'abagizi ba nabi hafi y'isaha 2 z'ijoro aho yari atashe avuye ku mugwa wa kigamba uri ku mugwa mukuru wa zone Kigamba(yahoze ari komine Kigamba).*

*Ashitse nko ku metero 50 yo ku muhana iwe,uwo yashikiwe nayo mabi yaguye mu mutegeko w'abagizi ba nabi munyuma abo banyuma baramutemye n'imipanga ku mutwe,mu maso,kw'izosi n'ahandi.*

*Abo bagizi ba nabi bari binyegeje mw'ishamba riri mw'ako karere rigizwe n'imikaratusi vy'uwitwa Ferdinand. Abo babisha barahunze inyuma yogukora iryo bara kubera abanyagihugu baho baciye bashwabaduka inyuma yukwumva urwamo w'uwo yakorewe ayo mabi.*

*MAJEMBERE Fidèle yajanywe ku bitaro vya komine Kigamba aho ariko aravurirwa. Muri abo bagizi ba nabi,Fidele yarashoboye kumenyamwo NDUWIMANA Calixte kandi uyu nawe yarahagaritswe bukeye bwaho. Ubu ari mw'ibohero rya zone Kigamba aho inyamiramabi iriko irakurikirana urubanza rwiwe. Uwikekwa ko iryo shano,yama yavuzwe mu mabi nk'ayo.*

*Twobamenyesha koNDUWIMANA Calixte ari mu ndongozi z'urwaruka rw'imbonerakure kuri uyo mutumba. Kubw'uyo yahuye n'ivyago ,nta mugambwe n'umwe wa politike arimwo mugabo imbere ya 2015,yari umunywanyi w'umugambwe MSDmuri komine Kigamba kandi yari mu ndongozi z'uyo mugambwe ku mutumba Rusagara.*

*Urwaruka rw'imbonerakure ruradomwako urutoke kubera ari bo bakizura mw'ijoro muri ako karere. Abanyagihugu basaba indongozi hamwe n'abajejwe umutekano ko komeza umutekano.*

**Uwo uri wese ubahirizwa**


### *V.1.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

Amategeko mpuzamakungu n'ay'igihugu mu Burundi aremeza ingingo yuko umuntu yera gushika habonetse ivyemezo bibeshusha,kandi ugupfungwa vyoza mu nyuma.

### *V.1.3.1. UGUHAGARIKWA NO GUPFUNGWA BIDAKURIKIJE AMATEGEKO*

Muri iki kiringo,umuhari Iteka waharuye incuro 1 izizwe n' abantu 5,harimwo abagabo 4 hamwe n'umukenyezi 1 mu ntara ya Bujumbura

***Igicapo 7 : Ikigara cerekana abantu bahagaritswe n'abapfunzwe hadakurikijwe amategeko mu kiringo ca Nzero-Ruhuhuma 2026***




***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1 :*** *Kuva kuwa 18 Ruhuhuma 2026,abamenyeshamakuru 2 bazwi kw'izina rya Olivier Manirambona na Aline Niyonizigiye, afata amasanamu kandi yonsa w'ikimenyeshamakuru Jimbere, barapfunzwe mu mabohero yo muri zone Ngagara, mu ntara ya Bujumbura.*
*Kubw'amasoko yaho,abo bamenyeshamakuru bahagaritswe na parake ya Ntahangwa mugihe bariko bakurikirana ishirwa mu ngiro ry'urubanza rw'itongo rumaze imyaka 21, rwahawe sentare nkuru ya Ntahangwa,iri mu buraruko bw'igisagara ca Bujumbura,umurwa mukuru w'ubutunzi w'Uburundi. Abo bamenyshamakuru babiri barapfunzwe barikumwe n'umwe wo mubafitaniye amatati Siméon Ngenzebuhoro, yahoze ari umushingamateka. Kuri uyu wa kane,kuwa 19 Ruhuhuma 2026, abo bapfungwa 3 bararengutse munrubanza rw'ikibiriraho, rungururijwe kuri uyu wa gatanu kubera kubura uwuburanira Ngenzebuhoro. Ikinyamakuru Jimbere carandikiye umushingwamanza wa Ntahangwa kugira kimusabe kurekura abo bamenyeshamakuru ariko ntanyisu yabonetse uyo musi.*

*Uwurongoye ikinyamakuru Jimbere, hamwe n'abandi bakorera ibimenyeshamakuru mu Burundi baranegura iryo hagarikwa ridakurikije amategeko,bibutsa ko abo bamenyeshamakuru ata tegeko na rimwe bahonyanze kandi ko bariko bakora akazi kabo ko kumensha inkuru bigenga. Ipfungwa rya Aline Niyonizigiye, ryamutandukanije n'umwana wiwe,ntiryemewe n'amategeko kandi riteye ku biri n'uburenganzire nshingiro bw'agateka kumugore hamwe n'umwana.*


*Iyo tariki nyene,abandi bamenyeshamakuru 3 barahagaritswe handuma bapfungwa amasaha arenga 8 mu Kigo c'igendereza SNR i Bujumbura,mu gihe , bakurikirana urugendo Umukomiseri w'umunyaburaya d'Hadja Lahbib ajejwe kunganisha ,gutegura hamwe no guhangana n'ibihe bitoroshe. Bahamagawe mu kigo c'ubushikiranganji bw'Uburundi bw'imigenderanire,baciye bajanwa mw'ibohero ry'igendereza imbere yo kurekurwa hafi y'isaha zitatu z'ijoro. Abo bamenyeshamakuru bigenga ni : Nitanga Tchandrou, Papy Amani hamwe n'uwugendesha imodoka yabo. Kuwa 20 Ruhuhuma2026,abo bamenyeshamakuru 2 b'ikimenyeshamakuru Jimbere nabonyene bararekuwe vy'agateganyo n'umushikirizamanza wa Repuburika Eraste Ndayiragije ; yashikirije ko bafashe amajwi imbere y'uko abacamanza bashika aho bashira urubanza mu ngiro kandi ko bazobahamagarwa bikenewe.Abamenyeshamakuru b'abarundi bariyamiriza iyo ngendo yo gukubagura abakozi b'ibimenyeshamakuru kandi bagasaba ko amategeko yokubahirizwa kugirango haboneke umwisanzuro mu kumenyesha amakuru mu Burundi.*

### *V.1.2.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,vyose hamwe amabi 21 harimwo abayakorewe bangana 25 baharuwe n'umuhari Iteka harimwo abagore 24 hamwe n'umuntu 1. Muri abo 25 bakorewe amabi afatiye ku gitsina,17 ni abana n'abakuze 8. Ku bakorewe amabi bangana 25, 19 bafashwe ku nguvu harimwo abana 17 n'abakuze 2.

Intara ya Burunga yarakozwe ko cane ku bantu 9, ikurikirwa na Gitega haharuwe abantu 8 , hanyuma Bujumbura haharuwe abantu 6,ubwanyuma haza intara ya Butanyerera ku bantu 2. Abakekwa ko icaha badomwa ko urutoke ni urwaruka rw'imbonerakure ku bantu 9 hamwe n'abaporisi ku muntu 1. Uwundi mugwi urimwo abigenga harimwo abadandaza,amabi yo mu nzu , abantu batamenyekanye….. kandi aho harimwo incuro 10 hamwe n'uwo muntwaro ku ncuro1.

***Igicapo6 : Ikigara cerekana abantu bakorewe amabi afatiye ku gitsina mu kiringo ca Nzero –Ruhuhuma 2026.***




***Uburorero buvyerekana :***

***Ak1** : Inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka kuwa 28 Nzero 2026,ivuga ko agakobwa gakora munzu,kafashwe ku nguvu n'umuhungu w'umukoresha wiwe kuwa 16 Ruheshi 2026 muri karatiye Kajaga,komine Ntahangwa,intara ya Bujumbura.Kubwo amakuru twatororokanijeho,uwo yononywe yitwa J.N,avuka mu ntara ya Kayanza.Yakora kwa Muhizi Christian,afise abana 4,harimwo Muhizi Tresor,afise imyaka 19,yikekwa ko icaha.Yasimbiye kuri uwo mwana mugihe yari muhira wenyene,aramushurashuza,kandi yaragerageje kumunumya.Uwo yafashwe ku nguvu yarashoboye gutabaza ababanyi,baciye babimenyesha abarongozi,hanyuma uwikekwa ko icaha yarahagaritswe kandi ubu apfungiwe mw'ibohero ry'intara ryo mu Kabezi.*

*Ex2 : Kuwa 26 Ruhuhuma2026,ku mutumba Rubuye,zone na komine Ngozi, mu ntara ya Butany erera, agakobwa k'imyaka 9 aba muri karatiye Rubuye mu gisagara ca Ngozi,umukobwa wa M.S na B.V, yarafashwe ku nguvu kandi arakomeretwa n'abantu bataramenyekana. Kubw'amakuru twaronse,buca biba hafi y'isaha umunani z'umurango,agakobwa gatoya karanyurujwe n'abantu batamenyekanye ari muhira. Niho umuryango wiwe watangura kumurondera. Yatowe n'abarengana bukeye bwaho mu gitondo yataye ubwenge kandi yicaye impande y'itongo ry'abapfuye riri mu mwongawa Vyegwa.*

*Benshi barababaye ,bakibaza ko vyoba ari ibijanye n'ibirozi canke ko boba ari abagizi ba nabi gusa.*

## *V.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

Uburenganzira ku butunzi n'imibano muBurundi,Mu mezi abiri Nzero na Ruhuhuma 2026, yarakozweko cane n'iduga ry'ibiciro bivuye kw'iyugarwa ry'urubibe rwa Gatumba, bitewe n'umugwi w'abarwanyi bafasheUVIRA . Abandandaza bakozweko n'iduga ry'ibiciro riboneka,nk'akarorero,igitenge igiciro cavuye kuri 90 000 gushika kuyarenga 200000 fbu. Naho hari itanguzwa ry'isekeza ryo gufumbira imirima y'ikawa kuwa 23 Kigarama 2025, ingorane mw'itangwa ry'ifumbire ryarashizwe ahabona muri iki kiringo,bigatera amakenga abarimyi b'icayi ko bashobora guheba umwanya n'umwanya imirima yabo,kubera uburyohe bwagabanutse.

Ihagarikwa ry'agateganyo ry'ibikorwa vy'urugomero rwo kuvomera mu Cibitoke ryarongereje ingorane ku barimyi b'umuceri,mugihe abakozi bo mu ntwaro z'igihugu i Burunga bataronse agashahara kabo,haheze amezi 6. Abarimyi b'ikawa bamenyesha iburwa ry'umwavu wo mu bwoko bwaNPKA kandi bakagiriza igiturire mw'itangwa ry'ibijanye n'imiti y'ibitegwa n'ifumbire. Mu ntara ya Kirundo,intererano zo ku gahato z'umugambwe CNDD-FDD zitera akababaro hose, mu gihe imiryango itegekwa gutanga ibifungurwa naho bari mu munzara izura inzara. Krundi ruhande,umuriro wadutse i Bujumbura wakoze ku badandaza 35,hasabwa amatohoza ku miriro yama yaduka.

Muri Ruhuhuma 2026, itangwa ry'ifumbire FOMI i Bururi ryarahagaze kubera imidogo iva mu barimyi bamenyesha ko bayitanga mu karenganyo

Agashavu k'abarimyi barindiriye kuronka ivyo bafitiye uburenganjira katumye bategura kwugariza,bituma haba ugucerwa mw'itangwa ry'ifumbire ku mvo yo kuyibura mu bubiko . I Matana,amategeko y'ubushikiranganji yarashizwe mu ngiro,mugihe i Buganda,ingingo ibuza kugurisha ibigori yateye akababaro mu barimyi. Musitanteri wa Bukinanyana arashigikira iyo ngingo, itera icuka mu karere aho ibigori ari igiterwa nyamukuru.

Mu gista c'indero, ukwezi kwa Nzero kwaranzwe n'ihonyarwa ry'uburenganzira ku ndero.Itegeko ryo kwambara ibirato ryatumye abanyeshure benshi birukanwa mu ntara ya Gitega. Abanyeshure,bakozwe ko cane n'iryo tegeko, basaba kurisubiramwo,kuk vyongereza uguhakwa guheba amashure.

I Burunga, itunganywa ry 'amanota y'abanyeshure ryateye uruhagarara,hamwe n'abanyeshure bategerezwa kuja mu bikorwa vya poritike,aho gutonda mw'ishure. Iyo ngorane yo mugisata c'indero yunyuwe n'igenda ry'abigisha bagana hanzae y'igihugu barondera aho bafatwa neza mu kazi.

Mu gisata c'amagara y'abantu, Nzero 2026 yaranzwe n'ingorane z'ubuvuzi,zirekanwa n'irwirirana ry'imibu hamwe n'ikene ry'imiti ivura malariya. Abenshi bahaba ntibaronse imisegetera,ivyongereza indwara ya marariya.

Ibihuha bivuga ubusuma bw'imisegetera vyarateye agashavu abanyagihugu,basaba itangwa vyihuta kandi itangwe uko bibereye.

Vyongeye,abaporisi barafise kandi ingorane zo kuvuzwa mu bitaro bikomakomeye. Indwara idatahuritse y'akamangu yakoze ku banyeshure barenga 500 i Gatara no mu Kayanza,bitera amakenga mu bajejwe igisata c'indero. Muri Ruhuhuma,amagara y'abantu yarunyutse kandi,kubera igaruka rya korera i Nyanza hamwe n'ibura ry'imiti ribandanya mu bigo vy'ubuvuzi.Ivyo vyatumye haba impfu zivuye ku buvuzi butabereye baronswa.Abahaba basaba ubufasha bwihuta bwa Reta kugira haboneke imiti hamwe n'impinduka mu buvuzi.

# VI. UGUSOZERA

Igisata c'agateka ka zina muntu mu Burundi, muri Nzero na Ruhuhuma 2026,caranzwe n'amabi yagiye akurikirana.Umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe arerekana ibiziga vyatowe,ipfungwa ridakurikije amategeko,ukuborezwa igufa,ukunyuruza hamwe no kuburwa irengero,vyerekana ihungabana ribandanya ribangamira uburenganzira ntayegayezwa. Ibikorwa bituma paritike ibuza abo batavuga rumwe bose kugira ikureho abo batavuga rumwe hamwe n'uburenganzira bwo gushikiza ikiri ku mutima burabangamiwe cane,hakoreshejwe kugenzura bikomeye ibinyamakuru.Uburenganzira bw'umukenyezi n'abana nabwo nyene bwarahuye n'ihonyangwa rikomeyeharimwo ugufatwa ku nguvuku abana ku rugero ruteye ubwoba. Umuhari Iteka uhamagarira Reta ko yokwigenga ubuntu hamwe n'abayegereye kugira bubahirize agateka ka zina muntu hamwe n'impinduka zihutirwa.Iki kiringo,kirerekana amabi abandanya hamwe n'itituka mu bisata bitandukanye.Ni nkenerwa gukora ibikorwa bifise urutonde hamwe n'ibiganiro vy'igihugu bihurikiyemwo bose kugira bakomeze gukingira agateka ka zina muntu.

*Uwo uri wese ubahirizwa*